Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

April / Ndamukiza 2019 *kirundi*

Uwuzonyemeza imbere y'abantu, nanje nzomwemeza imbere ya Data! (Mat 10,32)

Gira ubutwari!
Have courage!

Bakunzi b'Ijambo,

Intango y'ubuzima bwiwe ntiyamworoheye na mba. Yavutse mu myaka ya 90, akaba ari mu runganwe rw'abana bakuriye mu ntambara. Igihe indwano yatangura, yari amaze imyaka itanu avutse. Muri ico gihe, benshi bo mu muryango wiwe barahasize ubuzima. Ivyo vyaramubabaje cane. Yakuranye rero isanamu y'uko hariho „twebwe“ na mwebwe“, n'ukuvuga abagenzi n'abansi. Urubibe hagati y'iyo mirwi ibiri rwari rutomoye. Ariko mu mutima wiwe haguma inambu y'uko ukwo guhangana kwohava, urwo ruhome rw'amabuye rugacika ikiraro. Uyo nawe izina ryiwe ni Simoni. Igihugu ciwe ni Kosovo.

Gatatu kose, yaraje mw'ihwaniro mpuzamakungu ry'amahoro ryitwa „go4peace“. Niwe nyene yigana, ati aho nari muri ryo nibwiye nti : „aho kuja ku ruhande ngo ngume nikinira na bagezanje, canke mu turwi tw'abafuraha, hinge mare riho uyu mwanya w'ikambi ndi hagati mu bandi ndafasha ibikorwa. Ndabahe urukundo rwanje, nitangire abantu koko babikeneye. Aho niho notora intumbero nshasha mpa ubuzima bwanje. Ntegere nyabuna ko igihambaye atari uko ngira ico ndonse, ariko igikuru ari kwiga gutanga“. Ivyo vyarahaye Simoni akaryo ko gukenguruka ashimitse, kuko yari yubuye inzira yo kurengera imbibe akabaho kubw'abandi. Yari yategereye muri we ko amahoro ashoboka.

Imbere y'ikambi riheruka, yariko adutwara tuja muri Pologne, niho rero abanyeshure bigana bamubaza ko kubona ariko agenda ku kiyaga citwa „Ostsee“ kwoba ari ukuja gufuraha no kurya amaraha? Yabishuye ati : Naramenye urwaruka nahora niyumvira ukundi, ariko rwarampaye akanyamuneza.Vyaranyigishije kubaho ukundi mu buzima bwanje. Nshaka kuguma muri ubwo nyene. „Simoni yaragize ubutwari, mu kubabwira atarya umunwa, ico yari yubuye. Abo bagenzi biwe baciye bamusaba bati „none wodukundira ko tujana?“ Murumva rero : birabereye kugira ubutwari! - **Gira ubutwari! Have courage!**

Kubwa OnWordTeam Meinolf Wacker